Bujumbura, kuwa 09 ruhuhuma 2018 vol 006/018 UKURI

INTUMWA IDASANZWE Y'INGOMA Y'UBUHOLANDE MU KARERE K'IBIYAGA BININI ROBERT JAN SIEGERT AVUGA KO ATEWE UMUTIMA UHAGAZE N'IBIBAZO VYA PORITIKE BIRI MU BURUNDI.



Intumwa idasanzwe y'ingoma y'Ubuholande mu karere k'Ibiyaga Binini Robert Jan Siegert amenyesha ko atewe amakenga n'ivyerekeye urubuga rwa poritike ko biboneka neza ko hariho ingorane.

Inyuma y'urugendo rw'iminsi itatu mu Burundi, Robert Jan Siegert yavuze ko yanezerewe no kugendera Uburundi, kandi yaje kugira ashobore gutegera, gusumba uko yahora, ibibazo bijanye n'iki gihe kugira bazoshobore kugira uruhara mu gutorera umuti ingorane ziri mu Burundi aruko bazitahura neza.

Ku bijanye n'amasezerano ya Arusha, iyo ntumwa idasanzwe y'ingoma y'Ubuhorande mu karere k'ibiyaga binini yavuze ko, bategera neza ko amasezerano ya Arusha ari umushinge w'akazoza k'Uburundi karama, kandi ko kugira haboneke icuka ciza gituma haba urubuga rwa poritike rwagutse kuri bose ari ibiganiro bidakumira umuntu n'umwe.

Tubibutse ko Robert Jan Siegert yagenwe nk'intumwa idasanzwe y'Ingoma y'Ubuhorande mu karere k'ibiyaga binini mu kwezi kwa Munyonyo 2017, akaba yari mu rugendo mu Burundi, kuva kuwa mbere igenekerezo rya 5 gushika kur'uno wa gatatu igenekerezo rya 7 Ruhuhuma.

Bitegekanijwe ko Robert Jan Siegert aca abandaniriza urugendo mu gihugu ca Tanzaniya. **U.Kabarira**

PETERO NKURUNZIZA ARABANDANYA GUHA AKAZI ABANTU BIWE ABITIRIRA YUKO BARIKO BARAKORERA ABARUNDI N'IGIHUGU NAHO BAKORERA INYUNGU ZIWE.

Abo bivurwa ko bagize umurwi w'ubumwe bw'abarundi bararahiye bari imbere ya Petero Nkurunziza yabasizeho hamwe n'imbere yabasigaye ari abakozi ba Petero Nkurunziza aribo bita inama nshingamateka kur'uyu wa kabiri igenekerezo rya 6 Ruhuhuma 2017.

Mu kurahira abo bagize uwo murwi,ukuboko kwabo kw'ibubamfu kwaba gufashe ibendera ry'igihugu n'iry'ubumwe bw'abarundi ,barahira bavuga ko bazorangura imirimo bajejwe ata guhengama,badashize imbere inyungu y'umuntu n'umwe,kwitanga kugira batsimbataze ubumwe no kunywanisha abarundi,bubahirije ibwirizwa shingiro ry'Uburundi amasezerano y'ubumwe bw'abarundi hamwe n'ayandi mategeko.

Ababibonye bakaba bifata kumunwa ko indahiro isigaye ikoreshwa ari ugupfa kuvuga bataravye ivyo bariko barashikiriza bagafatira nko kuba bavuga ko bazokubahiriza ibwirizwa nshingiro ngo n'ayandi masezerano mugihe uwabasizeho yirirwa arasya atambaye mukurondera no guherengeteza iryo bwirizwa nshingiro nayo masezerano nyene.

Abo Nkurunziza yahaye akazi ababesha ko bagize umurwi ngo w'ubumwe bwabarundi ngo no kunywanisha abarundi bakaba ari guillaume Ruzoviyo, Alice Nzomukunda, musenyeri Justin Nzoyisaba,Adolphe Rukenkanya,Alphonse Bazonyica,Zenon Bigirimana hamwe na Mediatrice Bizabishaka.

Ni muriyo ntumbero nyene abitwa ko ari abakomiseri batatu baheruka gutorwa kugira basubirire abavuye mu murwi ujejwe ukuri no kunywanisha abarundi CVR barahiye kwinjira mur'ako kazi imbere ya Petero Nkurunziza yakabahaye n'imbere yabashingamateka n'abakenguzamateka basigaye muri kino gihe bakorera we n'umugambwe wiwe CNDD-FDD.

Abo bahawe ako kazi ko kugira basubirire abatari bakiri muri uwo murwi CVR, akaba ari Pasitori Clement Noe NZIZA,Patiri Pascal NIYONKURU hamwe na Leonce NGABO.

Abo bakozi batatu bakaba basubiriye,Musenyeri Bernard, Patiri Desire YAMUREMYE hamwe na Didace KIGANAHE.

KUBWA PETERO NKURUNZIZA NGO UBUMWE BW'ABARUNDI BUMAZE IMYAKA UBURUNDI BUMAZE BUBAYEHO.

Muvyo yita ijambo yashikirije kur'uyu w'Imana igenekerezo rya 5 Ruhuhuma 2018, mu gihe kur'uyu wa mbere abarundi bahimbaza imyaka 27 hashizwe umukono ku masezerano y'Ubumwe bw'abarundi, Petero NKURUNZIZA amenyesha ko Ubumwe bw'Abarundi ngo butamaze imyaka 27 gusa bubayeho, ariko akemeza yuko ubwo bumwe bw'abarundi bumaze imyaka Uburundi bumaze bubayeho.

Muri iryo jambo yavuze ko amasezerano y'Ubumwe bw'abarundi yo kuwa 5 Ruhuhuma 1991 ngo yari yaje kwibutsa Abarundi ko hari agahaze, ngo kubera ko twinjiranywe naba coroni, aho agasuka amakosa yose kubo yita abakoroni mukuvuga ko tumaze hafi imyaka 100 dusinzikajwe n'ishano twatamitswe n'abakoroni, kandi ngo ko dukeneye umurogoro.

Abatari bake rero bakaba batera ivyatsi bivuye inyuma iyo mvugo yiwe yo kwemeza ko hari ubumwe mu gihe bavuga ko atabumwe buri mugihugu uno musi. **I.Axel**

UMUGAMBWE MSD MURWANDIKO RWAWO RUGIRA CUMI N'ICENDA WARUNGIKIYE ABANYWANYI BAWO WARAGARUTSE KUMUSI MUKURU W'UBUMWE BWABARUNDI.

Murwandiko rugira icumi n'Icenda, Umugambwe MSD warungikiye abanywanyi

bawo waragarutse kwihimbazwa ry'Ubumwe bwabarundi mugihe kuri uyu wambere ariho hahimbazwa imyaka 27 hasinywe amasezerano y'ubumwe bwabarundi.

Muri MSD bakavuga ko ikibabaje ari uko uyumusi ushitse abarundi ngo bari mu gahinda n'umubabaro bidasanzwe bo bavuga ko vyatewe n'intwaro ya Petero Nkurunziza n'umugambwe wiwe CNDD FDD ngo birirwa barakora ijoro n'umurango mu kwigisha amacakubiri yogutuma abarundi baryana bongera bacanamwo ngo aho mbere abarundi bicwa, bagafungwa, bakangazwa mbere no gutwarwa ivyabo bakabitwarwa bikorwa nabitwa ko ari abategetsi.

Kubwa MSD ngo igitangaje giteye n'ubwoba akaba ari uko Petero Nkurunziza atababazwa namagume abarundi barimwo kandi mbere yatewe nawe mu gutoza kumusi kumusi amakori harimwo nayo yita ngo nintererano yogufasha amatora yo muri 2020 mugihe igihugu gisanzwe kiri mu ngorane zitagira izina abarundi bakaba basigaye bafata ayomakori nkikori ry'umutwe ryahora rituma abarundi bata bakomoka.

Muri MSD bakibutsa abarundi ko atabumwe bwabarundi buriho muri iki gihe kandi abarundi birirwa baricwa n'uwotegerejwe kubakingira, barenganywa n'uwotegerejwe kubarenganura, bangazwa kandi bagitwarwa ivyabo nabitwa ko ari abategetsi. Ngo ntabumwe rero bwabarundi Buhari mugihe imbonerakure zirirwa kandi zirara zirahohotera abarundi babahora ivyiyumviro vyabo. Ntabumwe bwabarundi buriho mugihe ubutegetsi Buhari bucubahuka kwigisha amacakubiri kumurango izuba ryaka.

Mu kurangiza urwo rwandiko bibutsa abanywanyi babo n'abarundi kwaribo bonyene bategerezwa kurwanira gushiraho ubumwe bwabarundi biciye muguhaguruka bakankira Petero Nkurunziza n'umugambwe wiwe bariko baratuma kandi batumye hatosekera ubumwe bwabarundi. **I.AXEL**

NYABENDA PASCAL ARONGOYE INAMA NSHINGAMATEKA IKORERA GUSA PETERO NKURUNZIZA N'UMUGAMBWE WIWE CNDD-FDD ARAGABISHA ABO ARONGOYE NGO KWIRINDA IMVUGO ZITABEREYE

Kuri uyu wa mbere igenekerezo rya 5 Ruhuhuma 2018, Pascal Nyabenda niho yuguruye ibikorwa bisanzwe vy'inama nshingamateka vyo mu kwezi kwa Ruhuhuma. Muvyo yashikirije akaba yamenyesheje ko mu kiringo c'ibikorwa bazokwiga integuro z'amategeko 12 bafise ngo barungikiwe na Petero Nkurunziza n'akarwi kiwe.

Muri izo nteguro z'amategeko ngo hakaba harimwo integuro y'itegeko rigenga umwuga wo kumenyesha amakuru, integuro y'itegeko rigenga ingene imanza z'ivyaha zicibwa n'izindi, itegeko rigenga ibijanye no kworora n'izindi.

Pascal NYABENDA yavuze ko hari gishasha kizokwibonekeza mu nteguro y'amategeko azokwigwa, ico naco kikaba kijanye n'ishingwa ry'ibanki ya Afrika ijejwe guhanahana ibidandazwa . **M. Dior**

EAC ABAKURU B'IBIHUGU BAGIYE GUHURIRA MU MWIHERERO I KAMPALA

Abakuru b'ibihugu bigize Ishirahamwe ry'akarere ka Afrika y'ubuseruko (EAC), bagiye kugira umwiherero biga ku ngingo zirimwo ibikorwa vy'inyubako, guterera mu gisata c'amagara y'abantun'iterambere, utegekanijwe kw'igenekerezo rya 22 Ruhuhuma, i Kampala mu gihugu c'Ubuganda.

Iyo nama izokwiga kandi uburyo bwo gushika ku ntumbero z'Ishirahamwe ry'Akarere ka Afrika y'Ubuseruko , gushika kw 'ishusho y'umugabane wa Afrika mu mwaka wa 2063, n'intumbero zishikana kw'iterambere rirama.

Uwu ni umwiherero wa kane w'abakuru b'ibihugu vya EAC, ku bijanye no gushigikira imigambi y'inyubako n'iterambere. Uwaheruka wabaye mu mwaka wa 2008, 2012 na 2014.

Bamwe rero bakavuga ko naho bariko barageragezа ngo ibihugu vya EAC bitere imbere bakwiye nyabuna kubanza gushira inguvu mu gutorera umuti w'ibibazo biri mu bihugu bimwe bimwe kugirango iryo terambere riheze rishoboke bati nayahandi bazosanga bariko bavomera mukimvumvu kuko hariho ibihugu bizoheza bikabasubiza inhyuma. **B.Armel**

AFRIKA Y'EPFO UMUKURU W'IGIHUGU JACOB ZUMA YANSE GUTANGA IMIHOHO.

Inyuma yo gutakaza uburongozi bw'umugambwe uri ku butegetsi ANC, umukuru w'igihugu ca Afrika y'Epfo, yanse gutanga imihoho, naho yagirijwe ibiturire.

Umukuru w'igihugu ca Afrika y'Epfo abandanije guhimirizwa gutanga imihoho mu gihe abanywanyi b'umugambwe ANC, bari mu nama yihutirwa biga kuri kazoza kiwe.

Amakuru dukesha iradiyo y'abongereza BBC, amenyesha ko abakuru b'umugabwe bashaka ko umukuru w'igihugu ava ku butegetsi imbere yuko hashikirizwa ijambo mu nama nshingamateka ku kuntu igihugu cifashe, ivyo bikazoba kuwa kane igenekerezo rya 8 Ruhuhuma 2018.

Hejuru y'umubonano n'abakuru mu mugambwe ANC, umukuru w'igihugu Jacob Zuma yarabonanye kandi n'umwami w'Abazulu, Goodwill Zwelithini.

Ibiro vyiwe vyavuze ko uwo mubonano wari usanzwe, ariko vyavuzwe ko umwami ashobora kwongera ijwi mu yasaba umukuru w'igihugu Jacob Zuma gutanga imihoho. **Q.IRIHO**